Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°800 01 Gitugutu 2023

## Ruyigi: «Tumenye kuvugana ukuri no kurekuriranira tuzoba tubohoye imitima yacu»

Nkuko biri mu butumwa bw'Igisata c'Ubutungane n'Amahoro cegukira Diyoseze, buri mwaka hama hahimbazwa isabukuru y'ubutungane n'amahoro ishimikiye ku gufasha Abarundi muri rusangi n'abantu baba muri Diyoseze ya Ruyigi, bacanyemwo mu bihe vy'intambara, ngo basabane ikigongwe, barekuriranire bongere basubize hamwe, umubano wabo urushirizeho kuba mwiza.

Ku ncuro igira 19, uyu mwaka w'2023, iyo sabukuru ikaba yahimbajwe ku civugo kivuga kiti: «**Tumenye kuvugana ukuri no kurekuriranira tuzoba tubohoye imitima yacu**».

Hakaba hari ku w'Imana igenekerezorya 17/9/2023 muri Paruwase ya Kinyinya, Diyoseze ya Ruyigi.

Mu kwitegurira iyo sabukuru, abakristu bose barahamagarirwa kwitabira igisabisho c'imisi icenda, bazirikana ivyiza bikomoka ku mutima wo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Ama paruwase nayo, arahamagarirwa guhimbaza isabukuru z'ubutungane n'amahoro, kugira abakristu bose basabikanye ivyiza vyaranguwe n'abaremeshamahoro, mu gufasha abantu kunywana no kubandanya biyubakira imibano ishemeye, ishimikiye kuri uyo mutima wo gusubiza hamwe.

Karaheza kakaba n'akaryo ko kurimburira hamwe, ibikorwa vyarangutse biteza imbere imibano y'abantu, irangwa n'ubumwe, urukundo, ugufashanya n'ukwitanaho.

Iyo sabukuru kandi, ihimbazwa inyuma y'ibikorwa vyinshi bikorerwa mu mibano, mu bisata no mu maparuwase, bifasha abacanyemwo kurekuriranira no gusubiza hamwe, kugira ngo bene umubano babone ko ubuzima bw'abahora badacana uwaka bwasubiriye kuba bushasha, kabe n'akaryo ko gusabikaniriza abandi ingendo ibereye idushikana ku mahoro arama.

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ikibanza c'abagendana ubumuga bwo kutumva no kutavuga kiracari gito mu mashure



Ku wa 23 Nyakanga uko umwaka utashe, amakungu arahimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe indimi z'indagi.

Kuri uwo musi, ishirahamwe ry'aba Guides mu Burundi ryaratunganije ikiganiro kugira ngo barabire hamwe ikibanza abageme

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Abamenyeshamakuru ntibahengeshanye kurondera inkuru z'ukuri......6
o Indirimbo ihayagiza Rusansuma nkuru y'abanyagihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi.......................................................7
o CVR-Burundi: Kahise k'Uburundi karanzwe n'amabi menshi................8
o Uburenganzira bw'umuntu bwo gushikiriza ivyiyumviro no kuja mw'idini ashaka.......................................................................10

# Idominika ya mirongo ibiri na gatandatu: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Ezekiyeli : 18,25 -28*

**Imburi :**

*Mu gisomwa ca mbere, turumva ingene Abayahudi bidogera Imana ngo igira ibitumvikana. Imana ibishura ko ari bo bagira ibitumvikana mu kwigenza ukutari ko.*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Ezekiyeli :
(*Imana iratwakura ngo idukebure*)

Ng'iri iriyazwe n'Umukama. Mwebwe muhora muvuga muti : « Umukama agira ibitumvikana ». tega amatwi muryango w'Israyeli : Mbe ingiro yanje niyo ibangamye ? Ubwo simwe mwigenza ukutariko ? Iyo intungane ihevye ubutungane igakora inabi, hanyuma igapfa kubera ico, iba ipfuye iziora iyo nabi. Umuyobe nawe iyo ahevye ibicumuro vyiwe, agakurikiza ukuri n'ubutungane, akwiye kubaho. Nkako, kubera ko yemeye guheba ibicumuro vyiwe vyose yakoze, akwiye kubaho, ntazopfa.

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyafilipi 2, 1 -11*

**Imburi :**

*Paulo mweranda yarihanikirije abakristu bo mu gisagara ca Filipi ngo baninahaze Imana mu kwicisha bugufi, mu kwamana umutima nk'uwa Kristu.*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyafilipi :

(*Muramane wa mutima Kristu yari afise*)

Ntuzi zanje:
Ndabasavye nshimitse kw'izina ry'ijambo ry'akamarampaka mwashikirijwe muri Kristu, kw'izina ry'urukundo rumara amazinda, kw'izina ry'ubumwe twunze muri mutima no kw'izina ry'igishika cuzuye impuhwe ndabafitiye, ndasavye munyuzuze akanyamuneza mu kwamana umutima umwe, sangira urukundo, muhuze imitima, muname rimwe, mwigizeyo icobakwegera mu macakubiri, mureke kwishima ; nimwicishe bugufi umwe wese abone ko abandi bari n'ico bamurusha ; ntihagire uwurazwa itiro n'ibimuteza imbere wenyene, ni yiyumvire igiteza imbere abandi. Igihe cose muri hamwe, muramane wa mutima Kristu yari afise : naho yamanye kamere k'Imana, ntiyigeze yishira hejuru ngo n'uko angina n'Imana ; ariko yigize ubusa mu gusangira kamere k'abasuku, mu kwigira umuntu asa n'abandi ; yigenjeje nk'umuntu asanzwe, arushirizaho mbere kwicisha bugufi, aragamburuka yemera urupfu kandi urupfu rwo ku musaraba.

Ni co catumye Imana imushira hejuru ya vyose vyose, ikamugabira izina rirengeye amazina yose, kugira ngo kw 'izina rya Yezu, bose bakubite ibipfukamiro mw'ijuru, kw'isi no mu kuzimu kw'inyenga, kandi ururimi rwose ruyage hose ko Yezu Kristu ari Umukama, ngo Imana Se ininahazwe.

## Inkuru nziza: Matayo : 21, 28– 32

Imburi:

*Mu Nkuru nziza, Umukama yabwiye abasaserdoti n'abashingantahe b'igihugu umugani w'umugabo yari afise abahungu babiri. Uwa mbere se yamutumye mu murima wiwe, nawe amwishura ngo "ntaho nja". Amaze kwigaya yaciye agenda. Uwa kabiri yavuze ati: "Ndagiye, mugabo ntiyagenda"*

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

**Alleluya, Alleluya.**

- Umukama yavuze ati: "Intama zanje zirumviriza ijwi ryanje, kandi ndazizi, vyongeye zirankwirikira".

**Alleluya.**

(*Arigaya, aragenda. Abatozakori n'abanyakabi bazobatanga mu Bwami bw'Imana*)

Muri irya minsi, Yezu yabariye abakuru b'abasaserdoti n'abashingantahe b'igihugu ati : « Mbe uru rubanza mworuca mute? Hari umugabo yari afise abahungu babiri. Yegera uwa mbere amubwira ati: 'Mwananje, genda uyu munsi gukora mu mizabibu yanje". Nawe ati: "Ntaho nja. "ngo amare akanya, arigaya aragenda. Nya mugabo yegera uwa kabiri, amubwira kwa kundi. Uwo arishura ati: "Ndagiye", ariko ntiyagenda. Muri abo babiri, ni uwuhe yakoze ico se wiwe ashaka?" Bamwishura bati: "Ni uwa mbere." Yezu asubizayo ati: "N'ukuri ndabibabwiye: abatozakori n'abanyakabi barabatanze mu Bwami bw'Imana. Kuko Yohani yazanye inzira y'ubutungane, muraheza ntimwamwemera, ariko abatozakori n'abakora ibiterasoni bo baramweemeye; namwe ngo mubibone, murabura n'agatima ko kwigaya, kobatuma mumwemera."

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana: Idominika ya 26

**Umukristu arangwa n'umutima nk'uwo Kristu yari afise.**

Bakunzi b'Imana dusangiye ukwemera n'umuryango muri Yezu Kristu, turiko turahimbaza idominika ya 26 yo mu mwaka w'amasabamana A.

Ijambo ry'Imana Ekleziya iduhaye ngo tuzirikane, riza ryogera kuryo twazirikanye ku munsi w'Imana uheze, naryo rikadutumirira kugamburuka nka Kristu, tukamana umutima nk'uwiwe kugira dushobora kurangura ugushaka kwa Data.

Mu gisomwa ca mbere, turumva ingene Umuhanuzi Ezekiyeli aganira n'abanyisrayeli, abibutsa ivyo bama biyumvira, ati: «Mwebwe muhora muvuga muti : « Umukama agira ibitumvikana ». Tega amatwi muryango w'Israyeli : Mbe ingiro yanje niyo ibangamye ? Ubwo simwe mwigenza ukutariko ?

Bavukanyi, mu gihe c'Umuhanuzi Ezekiyeli, Abayahudi bari bazi ko Imana ihana ikivunga, intungane ikajaniranya n"umunyakabi; ari na co gituma bavuga ko Umukama agira ibitumvikana.

Burya uwosesa mu mitima yacu, ubwo ntiyosanga twiyumvira nk'abo banyisraeli: Ntaho twibaza ko Imana yari ikwiye kuza irahana abatugirira nabi canke abo tutiyumvira kumwe? Abo tudasangira canke tudasanganywe? Bamwe twibaza ko ari inkozi z'ikibi, mbere tukama tubatunga urutoke mu kubagiriza ababi bashobora kuba mbere batakoze?

Imana ikoresha uyo muhanuzi ngo abakebure, abereke ko bihenda, kuko Umukama araba ubuzima bwa zina muntu wese, ibikorwa akora na cane cane umutima abikorana.

Iyo umuntu afise umutima ugororotse, utunganye, ibikorwa akora biba vyiza, iyo umutima wiwe ugoramye, ukagoramikwa n'igicumuro, ibikorwa vyiwe biserura uwo mutima nyene, biba bibi.

None rero nitwame tuvyibuka, nta muntu azohanirwa inabi atakoze. Umuntu wese akurikiza ingingo n'ubutungane, agakorana umutima mwiza ibbikorwa vyiwe, akama azirikana ineza kandi akayifuriza abandi, azorokora ubuzima bwiwe.

Nkuko Paulo mweranda abitwibukije, mu gisomwa ca kabiri, twebwe abakristu tubwirizwa **kurangwa n'umutima nk'uwo Kri-stu yari afise. Uwo na-wo ni uwuhe?**

Duhamagariwe kugira umutima umwe kuko iyo umuntu afise udutima tubiri ntagira aho yegamiye.

Dutegerezwa guhuza imitima, tukanama rimwe, tukirinda amacakubiri, tukirinda kwishira hejuru, tukabona kurazwa ishinga n'igiteza imbere abandi.

Guharanira inyungu n'ininahazwa ryacu, si umutima wari ukwiye kuranga abakristu. Umukristu arangwa n'umutima nk'uwo Kristu yari afise.

Uwo mutima nawo si uwundi: ni wa mutima wama urondera kurangura ishaka ry'Imana (Matayo26,39), ni umutima w'ikigongwe (Matayo 14,14), umutimwa w'urukundo (Yohani 11,-5.36), umutima wicisha bugufi (Yohani 13,14-15), umutima w'ugushubiza hamwe (Matayo 5,23-24, umutima w'ukuri n'ubutungane (Matayo 5,33) nk'uko Kristu abitwereka mu ngiro no mu nyifato yiwe.

Bitabaye uko, tukitwa abakristu kw'izina gusa, ivyo twemera ntitubirangure, ubwami bw'Imana bukaba buduciye mu myanya y'intoke.

Tuzoba tubaye nk'uyo muhungu wo mu nkuru nziza yemereye se kuja gukora mu murima w'imizabibu, ariko ntahonyozeyo ikirenge.

Yezu ati: «« Mbe uru rubanza mworuca mute? Hari umugabo yari afise abahungu babiri. Yegera uwa mbere amubwira ati: 'Mwananje, genda uyu munsi gukora mu mizabibu yanje". Nawe ati: "Ntaho nja. "ngo amare akanya, arigaya aragenda. Nya mugabo yegera uwa kabiri, amubwira kwa kundi. Uwo arishura ati: "Ndagiye", ariko ntiyagenda. Muri abo babiri, ni uwuhe yakoze ico se wiwe ashaka?" Bamwishura bati: "Ni uwa mbere."

Bakunzi b'Imana, Umukama ntadusaba amajambo gusa, adusa nyabuna ko amajambo tuvuga aherekezwa n'ibikorwa. Akarimi karayaruka gusumba ikirenge.

Yezu yaciriye uyo mugani abakuru b'abasaserdoti n'abashingantahe b'igihugu kugira ngo abereke ko bazimiye. Bamaze kwumva neza uwo mugani, bonyene bakerekana neza umwana yaranguye ico se ashaka, yaciye abakurira inkoni ku gishitsi, arabamenyesha ko na bonyene ataho bataniye n'uwo muhungu wa kabiri.

Baremeye itegeko rya Musa, ariko Uwusumba Musa amaze gushika, ari we Kristu, we yaje kurinonosora, abo bakuru b'abasaserdoti n'abashingantahe b'igihugu ntibamwemeye namba.

Ahubwo barondeye kumuzimanganya kugira ngo ntaze arabagora kuko yababwira ukuri nabo batagushaka.

Uyu munsi rero ni twebwe duhamagariwe kurangura ishaka rya Data wo mw'ijuru. Ni twebwe turungitswe mu mizabibu y'Imana ari ho mu mihana iwacu, mu bababnyi cane cane mu bakene, mu mpfuvyi, mu bapfakazi, mu bashonje, kurangurayo ibikorwa vy'urukundo, ibikorwa bitarondera akunguko n'ininahazwa, ibikorwa vy'ugusukurira abandi, twigana Yezu ngo Imana ininahazwe na bose.

Amen!!!

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ikibanza c'abagendana ubumuga bwo kutumva no kutavuga kiracari gito mu mashure

*(Bitangurira ku rup.1*

bagendana ubwo bumuga bafise mu mashure mu Burundi hamwe n'icokorwa ngo abagendana ubumuga bwo kutumva no kutavuga bitabweho nk'abandi barundi.

Nk'uko vyashikirijwe na Ndayizeye Ingrid Marie Madeleine wo mu muhari w'aba Guides ari nabo batunganije ico kiganiro, ngo indimi z'indagi ni uburyo bw'ibimenyetso bukoreshwa n'umurwi w'abantu bagendana ubumuga bwo kutavuga no kutumva.



Abakoresha ubwo buryo, baraganira bagatahurana, ivyiyumviro bigashikirizwa, ibibazo bikabazwa, n'inyishu zigatangwa.

**Ubwo bumuga buva kuki?**

Muganga Gaëlle Gapfasoni avuga ko ubumuga bwo kutumva no kutavuga ari ubumuga nk'ubundi bwose. Umuntu ashobora kubuvukana canke bukiyadukiza buvuye ku kinde kintu camushikiye.

Iyo umuntu yabuvukanye, ubwo bumuga buba bufatiye cane cane ku kutumva. Muganga ati:



«Iyo umwana avutse afise ubumuga bwo kutumva, amahirwe y'uko azoshobora kuvuga aba ari make cane.»

Nk'uko uwo muganga abandanya abivuga, ngo umwana yiga kuvuga mu gusubiramwo ivyo yumva ku bandi bantu. Iyo rero atakintu na kimwe yumva, uduhimba two mu bwonko dutuma umuntu avuga ngo ntiduheza ngo dutere imbere.

Ubumuga bwo kutumva rero ngo butangura kwibonekeza ku mezi 3 inyuma y'uko umwana avutse. Muri ico kiringo, umwana ngo aba atanguye kumva amajwi y'abandi bantu canke ibindi bintu biri hafi yiwe.

Ku mezi 9 naho, umwana ngo aba atanguye kwiga kuvuga. Iyo umwana ageze muri ico kirongo ntiyigere yerekana ikimenyetso c'uko yumva canke ahoha, ngo umuvyeyi yoca amenya ko umwana wiwe ashobora kuba afise ikibazo co kutumva n'uburagi.

Nkuko bivugwa na Methode Bihorubusa umwigisha muri kaminuza yitiriwe umwizero wa Afrika, umuntu yokwemeza ko umwana atazoshobora kuvuga iyo akwije imyaka 3 kuko ngo hari abana bishika bagateba kuvuga kandi atari uburagi.

**Ikibazo co kwiga cifashe gute ku bagendana ubwo bumuga?**

Bihorubusa Methode avuga ko kw'isi yose abaharanira agateka ka muntu baguma basemerera ngo ibihugu bigire utwigoro tuboneka mu kwiyumvira ingene abantu bagendana ubumuga bwo kutumva no kutavuga bokwitabwaho mu mashure. Ariko intambwe ngo iracari ndende.

Mu gihugu cacu, gushika ubu amashure ashobora kwakira abage-ndana ubumuga bwo kutumva no kutavuga ngo ni make cane. Nayo makeyi ahari, ni ay'abigenga. Ngo hari hakwiye kubaho akigora ka Reta, hakwubakwa ishure ridasanzwe ryakira abagendana ubwo bumuga, bakworoherezwa mu kubaho kwabo no mu kwiga kuko ngo badashobo-ra kuja ku muvuduko umwe n'abatagendana ubwo bumuga.

Diane Niyubahwe ni umwigeme yiga muri Kaminuza yitiriwe umwizero wa Afrika mu Ngagara.



yigana n'abandi badafise ubwo bumuga.

Akija kwiyandikisha muri kaminuza, ngo bose baratangara, abandi banyeshure bakamuca intege, bakamubwira ko atoshobora kwiga kaminuza. Ingorane rero ngo ziri ku mpande nyinshi kuko abagendana ubwo bumuga barakumirwa, ntibatahurwa, barabura abo baganira kuko atari benshi bamaze kumenya gukoresha iyo mvugo y'ibimenyetso.

Bimwe muvyo asaba, ngo horwizwa ibikoresho biborohereza mu kwiga, kandi iyo mvugo mu bimenyesto ikigishwa ku mashure nka kurya higishwa izindi ndimi mvamakungu.



*Abari bitavye ico kiganiro catunganijwe n'ishirahamwe ry'aba Guides mu Burundi*

***Mélance Ndayikeze***

# Ruyigi: «Tumenye kuvugana ukuri no kurekuriranira tuzoba tubohoye imitima yacu»

(Bitangurira ku rup.1

Muri ivyo bikorwa, bene umubano baraheza bakamenya ko ukuvugana ukuri ari yo nzira yo nyene ishikana ku kwubaka umubano mwiza.

Ibirori vy'uwo musi nyezina vyahereye ku gusabira abantu 6 batawe mu kinogo kimwe bongera basabira n'abandi bantu bahitanwe n'urwimo rwo mu 1993 no mu 1972.

Abasabanye ikigongwe kandi bakagihana ni : Ntahobava Longin yasavye ikigongwe abasigwa ba Evode Begenyeza.

Ntahobava Longin avuka mu Mayanza, Komine na Paruwase Kinyinya, avuga ati: "Muri 1993 haravyutse akambayaga. Umugore wanje n'abana baragiye nanje nja kuvoma utuzi.

Hanyuma haza abantu baza kumbwira ngo tuje kwica abatutsi. Jewe naravyanse ariko baca bambira ngo ntagiye ngo baca banyica. Baciye banshira imbere ndagenda kwa Gatalina, duca twice umukazana na inabukwe.

Mu kubica bavuga ngo : "Imporona zose marira". Aba bana nibumve ukuri ingene abantu bagwa mu rudubi. Hapfiriye abantu 60. Naratoye umwe ndamuhungisha.

Jewe ndiko ndaraba uruhara rwa Evode Begenyeza mu ntambara, yaraje bukeye adusaba ngo tuje guhamba abantu baraye bapfuye kandi ari Evode yavuze ngo babice.

Yaciye adusanga mw'itongo abandanya dusaba ngo tuje guhamba abo bantu tubahambane iteka. Yaciye aja kurondera abandi baca abaza kudukoka kandi kwari



Lonjino Ntahobava ariko asaba ikigongwe abasigwa ba Evode Begenyeza

ukugira ngo batwice.

Ico nemera nuko mu mutima wanje, jewe Longin narababaye kubera Evode Begenyeza. Jewe ndiko ndasaba imbabazi ngaha. Kuko ndemera ko nakora nk'umusazi kuko nicishije icumu.

Nsaba ikigongwe kuko iryo cumu namuteye ririko riranzibura. Ndasavye umufasha wa Evode ambabarire kubera ko shetani yari yamaze kunyiganzira.

Renovato Nsengiyumva, mwene Evode Begenyeza, avuga ko yari umwana mutoyi cane , ariko nkaba mukuru mu muryango. Avuga ati : « Kuva amagume yaduka, data yarampagaye ambwira ko tujana i Tanzaniya. Arambwira ati abatutsi bakoranye bavuga ko « ibitoke bigeze gututura ». Sinabitahuye.

Umukuru w'igihugu bamufashe, bagira batugire nkuko bagize ba data mu 1972. None rero ndagutora duhunge. Bukeye data sinasubiye kumubona. Niho twahunga gushika uyu munsi sindasubira kumubona.

Lonjino arivugira ko yari mu bamwishe. Amaraso arahuma. Aho aciye hose abantu baryana inzara bavuga bati : urya niwe yishe Evode. Yaraje ku kazi aradusaba ikigongwe. Niwe yagiye kurondera abaremesha amahoro. Ndumva ko uremerewe.

Ndakengurukiye ababidufashijemwo. Ivyabaye vyavuye kw'ihorihori.

Tugasaba ko iryo horihori ryohera. Umuvyeyi wacu naze amugirire ikigongwe.

Selesta Ndikumana (nyina wa Rénovat Nsengiyumva) avuka Kayongozi,



Ndikumana Selesta ariko atanga ikigongwe kuri Longino Ntahobava yishe umugabo wiwe Evode Begenyeza

yemeza ko igihe cose ahuye na Longin yabona afise ubwoba kuko yiyemerera ko yishe umugabo wanje. Narabwiye abana nti "Uyu muntu atubona akagira ubwoba, muze tumurekurire kuko siwe yabikoze."

**Muti none kugira ngo bashike kuri ico gikorwa, haba habaye iki** ?

Umwungere wa Diyoseze Ruyigi, Nyenicubahiro Musenyeri Blaize Nzeyimana, avuga ati : « Kuremesha amahoro, gukomeza ubutungane ni igikorwa ca minsi yose. Abantu baravyitegurira, uko bavyitegurira niko bavyiyumvira bakaza baradushingira intahe kandi niko tuza turumva akajambo gashasha, bigatuma n'abandi bavuga bati : erega na twebwe twogira nk'uko twohatora ijambo kandi twohigishiriza »

Nyenicubahiro Umwungere wa Diyoseze Ruyigi arashimira ubwa mbere n'Isata c'ubutungane n'amahoro kuko hari abantu bavyitwararitse; ubwa kabiri akamenyesha ko aho bagiye hose bama basanga abantu bafise ishaka ry'uko ico gikorwa cokorwa, abantu bakumva ko bakeneye gusabana ikigongwe n'ukurekuriranira bigatuma ibintu bihinduka, bigatera bija imbere.

Aramenyesha kandi ko abashinga intahe bashimikira kukubohoka kuko ngo abenshi bagira bati: "Nahora ngenda nikinga ibisaka, nahora

Ibikur. urup. 6

# Abamenyeshamakuru ntibaheshanye kurondera inkuru z'ukuri

Kuwa 19 Nyakanga 2023, ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi y'Uburundi OBR, caratunganije uruganda ku bamenyeshamakuru ngo babahimirize gukora inkuru zifise akanovera n'ubuhinga namwaburya amakuru yo muri ico gisata asaba ubwitonzi ntangere kuko ari igisata c'ubuhinga.

Ikiyago muri urwo ruganda caremeshejwe na Willy Citeretse ajejwe kwigisha abatangakori mu kigo kijejwe gutoza amakori n'amatagisi OBR. Nkuko bivugwa n'uwo mukozi wa OBR, ico kigo ngo kirakorana cane n'abamenyeshamakuru. Ariko ngo hari aho hakorwa amakosa mu gutanga amakuru ajanye n'ibikorwa vya OBR gushika aho uwusanzwe abimenyereye aca abona ko vyukuri uwatanze ayo makuru atari azi neza ivyo ariko aravuga.

kugira ngo iyo ngorane iranduranwe n'imizi, abamenyeshamakuru bakorera mu gisata co gutoza amatagisi n'amakori ngo bategerezwa kwigishwa no gukaburirwa ubwenge ku bijanye n'imvugo n'ubuhinga bukoreshwa muri ico gisata.

Akarorero katanzwe, ni nkiyo hafashwe ibidandazwa vya magendu. Ngo mu gihe umumenyeshamakuru atazi neza ingene bica bigenda muri ico gihe, arashobora gutanga inkuru zitari zo, hakavugwa ko vyanyurujwe, ko bene vyo bahohotewe, ko igihugu kirwanya abanyamitahe, n'ibindi.

Willy yamenyeshe abamenyeshamakuru ko amakuru yo muri ico gisata ari amakuru y'ubuhinga cane asaba ubwitonzi budasanzwe.

Nico gituma icifuzo ciwe ari uko hobaho umurwi w'abamenyeshamakuru bama bakaburirwa ubumenyi kandi bakaba aribo barungikwa mu bikorwa vya OBR kuko babifitiye ubuhinga.

**Akarusho ko kwugurura imbibe muvy'amakori ni akahe?**

Bimwe mu vyo abari muri izo nyigisho basiguriwe, ni akarusho abarundi baronka mu gihe igihugu cinjiye mu mashirahamwe y'akarere. Ku bijanye n'amakori, abadandaza ngo baraheza bakoroherezwa cane haba mu kwinjiza ibidandazwa vyabo babikuye hanze no mu gusohokana ibidandazwa vyabo babishora hanze.

Ibihugu bisangiye umuhora muvy'amakori, birubaka urunani ku buryo ibidangazwa bitaba bikimara imyanya miremire mu nzira kubera vyagiye birahagarara biriha amakori. Kubona naho ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko vyunze ubumwe bw'imbibe muvy'amakori, ngo bituma abadandaza b'abarundi bashora ibicuruzwa vyabo muri ivyo bihugu nk'uko kwoba ari nko kubikura muri komine babijana mu yindi. Ngo nta kori ritozwa abashoye muri ivyo bihugu.

Yuko ako katoba ari agahombo ku gihugu, Willy Citeretse avuga ko ahubwo ari akarusho mu mpande nyinshi: Abadandaza baca boroherwa, bagasohora ibidandazwa vyabo badasesaguye. Ica kabiri, igihugu naco gica kihabombokera kuko abo badandaza baba bashoye hanze baraheza bakagurisha mu mafaranga y'agaciro igihugu naco kirayakeneye cane.

Tubamenyeshe ko ikigo OBR ari ikigo kimwe rudende ca Reta kirekuriwe kwegeranya amakori n'amatagisi y'Uburundi kikaba cagiyeho kugira ngo Uburundi buje ku rugezo rumwe n'ibindi bihugu vyo mu karere ku bijanye n'ubuhinga bwo gutoza no kwegeraniriza mu kigega ca Reta amakori n'amatagisi.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Isima y'ihinguriro GLC ryo mu gihugu ca Congo yarahagaritswe vy'imfatakibanza



Inyuma y'uko ikigo BBN kijejwe gusuzuma ubuziranenge bw'ibidandazwa mu Burundi gitangaje ko hari inkuru zitaremezwa neza ko impapuro ziranga isima ihingurirwa muri GLC muri Congo zoba zarasubiwemwo, Sindayikengera Severin umuyobozi mukuru wa BBN ahejeje kwemeza ko izo mpapuro zasubiwemwo.

Ni mukiganiro yahaye abamenyeshamakuru kuri uyu wa 25 Nyakanga 23 ku kivuko ca Bujumbura. Ni mu gihe hariko harapakururwa isima ingana n'amatoni 600 y'ishirahamwe Musumba Ciment na NEPACOM riserukirwa na Manirambona Claude Bernard.

Umuyobozi mukuru w'ikigo BBN yamenyesheje ko iyo sima idashobora kudandazwa hatabanje gukorwa ibipimo ngo bahinyuze ko iyo sima ikwije ivyangombwa.

Ati: «Mu gihe twasohora itangazo ry'amakenga dufise ku mpapuro z'iyo sima, iyi sima ihejeje gushika ku kivuko yari iri mu nzira iza. Ntivyashoboka rero ko duhagarika urwo rugendo. Ubu ica ija mu bubiko, gushika hakozwe ibipimo. Dusanze idakwije amategeko izoca isubizwa iyo yahinguriwe, ikwije amategeko naho izohabwa abadandaza bayishire kw'isoko».

*Mélance NDAYIKEZE*

# Indirimbo ihayagiza Rusansuma nkuru y'abanyagihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi

**BUREAU CENTRAL DU RECENSEMENT (BCR)**

**EMERA USANSUMWE KUKO URI KIRUMARA**

R/**Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma.**

1. Leta y'Uburundi yatunganije rusansuma rw'abanyagihugu/ uburaro, uburimyi n'ubworozi, ironke ibiharuro bigezweho

Kugir'imeny'igitigiri c'abantu/ bose baba aha mu Burundi/ imihana n'inyubako rusangi/ ibitunz'abantu mu burimyi n'ubworozi.

Rusansuma izofasha Leta/ gutegur'imigambi y'iterambere/ maz'abashigikira Uburundi/ baronke ibiharuro fatiro.

Izofash'abipfuza gutezimbere/ uburimyi n'ubworozi kuronk'ibiharuro nkenerwa/ vyingen'ivyo bisata vyifashe.

**R/Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma.**

2. Rusansum'izofasha kumenya/ ibirang'abantu bahungiye mu Burundi n'abegeranirijwe mu gihugu/n'urugero rw'ingen'abantu bashing'imiryango

Kumeny'ukwabantu babayeho/ ibigiz'inyubako n'ibikoresho vyo munzu/ urugero rw'ingene abantu barondoka, abitab'Imana n'abahindur'aho baba.

Musabwe kuzokwakira neza/ no gukingir'izo ntumwa za Leta

Kwishura nez'ibibazo muzobazwa/ bajejw'intwaro himiriz'abo mutwara.

Menya nez'iyi rusansuma/ garagaz'ukwikukira nyakuri Kuko abarundi turashoboye/ kwitunganiriz'ivyigihugu.

**R/Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma (x2)**

**· Aritiste Callixte NSHIMIRIMANA**

# Ruyigi: «Tumenye kuvugana ukuri no kurekuriranira tuzoba tubohoye imitima yacu»

mbona umuntu, nkagomba guhunga, nahora ata saganirizo. Kuva aho nubahukiye, nkagira nti ndagusavye ikigongwe, naciye ndonka amahoro, ndaruhuka, ndaronka aho ngendera, ataco nikeka. »

**Muti ico abakristu bosigarana ni iki?**

Ico abakristu bosigarana, ico bokwamana ni ubutungane n'amahoro. N'icivugo cabo ni «Sangwa isabukuru y'ubutungane n'amahoro». Ni ukuvuga yuko habaye ingendo y'ubutungane, amahoro yoba ahangamye.

Mugabo ubwo butungane, abantu babwumva kwinshi. Ubutungane tuvuga ni ubutungane ubwa mbere ku Mana. Na bwo ubwo Imana ishaka ni ukubaha Imana ubwayo n'ivyo yategetse.

Ubwa kabiri ni ukubaha umuntu yaremye. Umuntu rero yovuga ati ndiko ndakurikiza ubutungane ni umuntu anezereza Imana akongera akanezereza abantu.

None rero ico bokwamana ni ingendo yo kurekuriranira kugira ngo bashobore gusubiza hamwe, kuko nta zibana zidakubitana amahembe'.

Gusabana ikigongwe kurekuriranira, gusubizanya urukundo, abantu ba-gasubira gusangira aka-bisi n'agahiye. »

Mwomenya ko ivyo birori vyari vyitabwe n'abantu baje bava mu mihingo itandukanye y'igihugu, uhereye ku bo mu Gisata c'Ubutungane n'Amahoro ku rwego rw'Inama Mpanuzajambo y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi, abavuye mu madiyoseze ya Rutana, Gitega, Muyinga na Ngozi, abaje bava mu Mugwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi (CVR), ba Musitanteri bamwe bamwe bo mu ntara ya Ruyigi hamwe n'abaremeshemahoro baserukira abandi muri Diyoseze ya Ruyigi.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# CVR - Burundi: Kahise k'Uburundi karanzwe n'amabi menshi

Kuva abanyamahanga bashitse mu gihugu cacu mu 1896, Uburundi bwaciye mu makuba menshi harimwo n'igandagurwa ry'inzirakarengane nyinshi cane. Vyashikirijwe n'umukuru w'umurwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira mu Burundi mu cegeranyo uwo murwi washikirije inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zishashe icarimwe mu ngoro y'amakoraniro mu Kigobe ku wa 18 Nyakanga 2023.

Nkuko bivugwa na Petero Claver Ndayicariye arongoye uwo murwi w'igihugu, ngo kuva mu 2018 arahiriye ayo mabanga haramaze gukorwa amatohoza menshi cane ku vyabaye mu Burundi. Ayo matohoza, gushika ubu ngo yegeranirije mu bitabu 52 bigizwe n'impapuro 19 870.

Ivyo bitabu bigabuwemwo imirwi ikurikira: ibitabu 6 vy'icegeranyo, ibitabu 22 vy'amasanamu, ibitabu 22 vy'intahe zitandukanye, igitabu 1 kigizwe n'inzandiko zatowe ahatandukanye zerekana bimwe bimwe mu vyabaye hamwe n'igitabu 1 c'impfunyapfunyo ya vyose. Hiyongerako ireresi mu ncamake y'ibikorwa vy'uwo murwi hamwe n'intahe z'abantu bakiriho.

**Ayo matohoza yose yakozwe, afise intumbero nyamukuru zikurikira:**

- Kwerekana neza amabi yakozwe yerekeye guhonyanga uburenganzira nyamukuru bw'abantu muvyerekeye poritike, mu vyabo no mu kibano;

- Kwerekana uruhara rw'ababikoze, uruhara rw'inzego za Reta, rw'amashirahamwe n'urw'imirwi y'abantu;

- Kwerekana kamere kw'ububisha bwatowe mu matohoza inkomoko n'urugero bwashitseko, ivyabaye muri kahise bifitaniye isano n'ubwo bubisha, uko ibintu vyari vyifashe muri ivyo bihe, imvo zatumye hakorwa ubwo bubisha n'ivyo ababukoze bashaka gushikako;

- kwerekana ahari ibinogo vyatawemwo abantu benshi ikivunga no gufata ingingo zo gukingira ahavuye ibisigarira vyabantu twakuye muri ivyo bipfiro.

**Ivyaha 13 umurwi CVR wagiriza Abadagi n'Ababirigi**

Imbere y'uko Uburundi butwarwa bufuni na buhoro n'abanyamahanga babuteye, mu Burundi ngo cari igihugu c'amata n'ubuki, kirongowe n'abami bagenda barabisikanya mu mahoro n'umutekano ntangere.

Amakuba yose rero Uburundi bwaciyemwo, ngo yatanguranye n'umuzo w'abazungu.

Hari rero ivyaha bishika 13 vyagirizwa ibihugu bibiri vyaducuye bufuni na buhoro mu kiringo c'imyaka irenga 60:



1. Kuvogera igihugu c'Uburundi no kugishira mu mananiza y'ubukoroni;

2. Gutikiza inganda;
3. Gusahura ubutunzi bw'igihugu;

4. Gusambura no gutitura iteka ry'abavyeyi gushika n'aho bakubitirwa imbere y'abana babo bari gusa;

5. Gukumira abagabo mu ntwaro y'igihugu bagashinga amabanga bamwe bamwe mu rwaruka rwa sindabibazwa n'imburakimazi;

6. Kubiba imbuto mbi y'amacakubiri mu barundi ariyo yatumye abenegihugu bashika n'aho bicana bitana abahutu, abatutsi n'abatwa;

7. Gutesha agaciro abanyamabanga kandi ari bo bari bashigikiye intwaro ya cami mu Burundi gushika n'aho abarundi bateshwa bagata ubuhinga n'ubumenyi bari bagezeko;

8. Gutesha agaciro umwami kandi ari we yari ishingiro ry'ingoma y'Uburundi;

9. Kunebagura iteka n'akaranga vy'Uburundi;

10. Guhatira abarundi kwihakana ukwemera kwabo bagakubitirwa kuja mu yandi madini mashasha yazanywe n'abanyamahanga;

11. Gutitura imico n'imigenzo y'abarundi;

12. Kwankisha abarundi igihugu cabo c'amavukiro gushika n'aho haboneka ababafasha kugisambura;

13. Gukumira abarundi mu ndinganizo y'ivy'intwaro n'ubutunzi.

Kubera ayo mabi bakoreye Uburundi n'abarundi, abadagi n'ababirigi ngo barafitiye umwenda igihugu c'Uburundi. Basabwa gusaba imbabazi ku mugaragaro bongere bashumbushe imiryango yabuze ababo bahereye ku muryango w'umuganwa Rudoviko Rwagasore.

*Biracaza*

***Mélance Ndayikeze***

# Kuva 2025, Intara ya Butanyerera izoba igizwe n'amakomine 8

5. **Komine Matongo**, umugwa mukuru wa komine ni Matongo, igizwe n'amazone 11. Nayo ni :

- Zone Banga igizwe n'imitumba 9: Banga, Bihunge, Matongo, Mpemba, Munini, Murambi, Mutanure, Nyakibingo, Rudehe.

- Zone Burarana igizwe n'imitumba 7: Burarana, Butuhurana, Bwisange, Kijuri, Mikamba, Nyarurambi, Ruvumu.

- Zone Busangana igizwe n'imitumba 8: Burarana, Busangana, Busekera, Gashishima, Kigereka, Nyambo, Rwatsinda, Rusha

- Zone Butaganzwa igizwe n'imitumba 8: Busokoza, Gahise, Gatabo, Mufumya, Muremera, Nkango, Nyarurama, Rukambura.

- Zone Gatara igizwe n'imitumba 8: Gakenke, Gihororo, Karambi, Kivuruga, Muhingira, Murago, Nyarurambi, Ruhengeri.

- Zone Kabuye igizwe n'imitumba 8: Camizi, Gitwe, Kabuye, Kinyovu, Munyinya, Musonge, Nteko, Rukoma.

- Zone Mbirizi igizwe n'imitumba 9: Kanyankuru, Karurusi, Kibaribari, Kibayi, Kibenga, Mbirizi, Mudusi, Munini, Rubagabaga.

- Zone Ngoro igizwe n'imitumba 10: Gisyo, Gitwenge, Kabungo, Kigume, Migende, Ngendo, Ngoro, Nteko, Rwankuba, Shinya.

- Zone Ninga igizwe n'imitumba 5: Bumba, Gikungere, Munyinya, Ninga, Rugoma.

- Zone Nyabibuye igizwe




n'imitumba 6: Kigarama, Kigwandi, Kiryama, musema, Nyabibuye, Shembati.

- Zone Ruganza igizwe n'imitumba 11: Bandaga, Burenga, Bwayi, Gasare, Kibavu, Kivumu, Muganza, Mvumvu, Ngoro, Nyarumanga, Ruganza.

Yose hamwe ni imitumba 89 igize amazone 11 ya Komine Matongo y'intara ya Butanyerera.

6. **Komine Muhanga**, umugwa mukuru wa komine ni Muhanga, igizwe n'amazone 9. Nayo ni :

- Zone Bisha igizwe n'imitumba 9: Bisha, Bishuri, Gatare, Kabuye, Karehe, Nyabitwe, Nyamonde, Rubirizi, Tara.

- Zone Gaheta igizwe n'imitumba 6: Butanyerera, Gacokwe, Gipfuvya, Karama, Muzumure, Nyabigoyi.

- Zone Gahombo igizwe n'imitumba 12: Businde, Butezi, Gahombo, Kahuro, Gishunzi, Karinzi, Kinyonga, Kivoga, Kiyange, Mikoni, Rukago, Ruzingati.

- Zone Gikomero igizwe n'imitumba 7: Gikomero, Kaguruka, Kiguruka, Kirahamira, Musagara, Rubungu, Rusave.

- Zone Muhanga igizwe n'imitumba 10: Gaharo, Gashibuka, Kibimba, Mbaba, Muhanga, Musama, Mwendo, Ngoma, Rugamba, Rushenza.

- Zone Mibazi igizwe n'imitumba 10: Ceyerezi, Gasenyi, Gatozo, Kanyundo, Masanze, Mbogwe, Mibazi, Ndava, Nyamwera, Sakinyinya.

- Zone Mubogora igizwe n'imituma 10: Bushoka, Gatura, Gisara, Gitamo, Kivuzo, Mubogora, Nyamitanga, Nyarurambi, Rubanga, Rushubi

- Zone Nzewe igizwe n'imitumba 10: Bigugo, Butwe, Gasave, Jimbi, Kavuvuma, Mwenene, Nzewe, Rukanu, Shurugumya.

- Zone Rango igizwe n'imitumba 7: Gihororo, Gitibu, Nyabibuye, Nyarusange, Rama, Rango, Ruhiga.

Yose hamwe ni imitumba 81 igize amazone 9 ya Komine Muhanga y'intara ya Butanyerera.

7. **Komine Ngozi**, umugwa mukuru wa komine ni Ngozi, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :

- Zone Buhiga igizwe n'imitumba 6: Busoro, Gahwazi, Gakeceri, Kinyana, Makombe, Masama.

- Zone Busiga igizwe n'imitumba 12: Bitambwe, Caga, Kididiri, Kigufi, Mihigo, Muremera, Mutumba, Muyogoro, Nyange, Rubari, Rugori, Rwanyege.

- Zone Buye igizwe n'imitumba 6: Buye, Hayiro, Muremera, Mushitsi, Nyarugunda, Nzove.

- Zone Gatsinda igizwe n'imitumba 10: Buhanda, Buziragahama, Gatsinda, Gitundwe, Kayanza, Kibindi, Murama, Rukurazo, Rwarangabo, Sabanerwa.

- Zone Makaba igizwe n'imitumba 5: Gihamo, Kivuzo, Makaba, Nkero, Rwahirwa.

- Zone Mivo igizwe n'imitumba 9: Cigumije, Gasebeyi, Gitwenzi, Hina, Kambati, Kiruri, Mirango, Mivo, Mwungere.

- Zone Mubuga igizwe n'imitumba 8: Bwiza, Gahengeri, Kavuma, Kayogoro, Mubuga, Nyaruntana, Sare, Shango.

- Zone Mugomera igizwe n'imitumba 7: Burima, Kimenyi, Mugomera, Ntaho, Nyabihanga, Nyanza, Ruhongore.

- Zone Mwumba igizwe n'imitumba 8: Bugorora, Gakenke, Gihama, Gitasi, Kabasazi, Kagozi, Karungura.

- Zone Ngozi igizwe n'amakartiye 9: Kartiye Camugani, Kartiyr Gabiro, Kartiye Gisagara, Kartiye Kanyami, Kartiye Kinyami, Kartiye Muremera, Kartiye Rubuye, Kartiye Rusuguti, Kartiye Shikiro.

- Zone Rukeco igizwe n'imitumba 7: Gatika, Kavumu, Kimagara, Mpondogoto, Murambi, Nyabizinu, Rumbaga.

- Zone Rwabiriro igizwe n'imitumba 5: Burenza, Butaganda, Cahi, Kabataha, Rwabiriro

Yose hamwe ni imitumba 83 n'amakartiye 9 bigize amazone 12 ya Komine Ngozi y'intara ya Butanyerera.

***Biracaza***

***Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.***

# Uburenganzira bw'umuntu bwo gushikiriza ivyiyumviro no kuja mw'idini ashaka

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka.

Ubwo burenganzira bumuha kwidegemvya mu gusenga no mu kugendera akarangamutima k'iryo dini. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira umwidegemvyo mu vyiyumviro, mu gutora n'ugukurikiza idini ashatse. Nta muntu n'umwe ashobora kubuzwa kugaragaza uyo mwidegemvyo mu gihe bidahungabanya umutekano.

Uburenganzira bw'umuntu bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'umuntu bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka butegekanijwe n'amategeko mpuzama-kungu atandukanye :

*Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ;

* Amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana,

*Amasezerano mpuzamakungu yerekeye abantu batagira ubwenegihugu,

*Amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana;

*Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.*

Ingingo ya 18 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese ashobora kugira ivyiyumviro vyiwe n'ugukurikira idini ashatse, ni ukuvuga ko ashobora guhindura idini n'ukwemera inyigisho zaryo, ari we nyene canke afadikanije n'abandi, mu kuvyigisha, mu kubigendera no mu kubikurikiza.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike.*

Umuntu ntashobora kubuzwa ubwigenge mu bijanye n'ugushikiriza ivyiyumviro vyiwe canke gukurikira idini ashaka kiretse iyo ari mu ntumbero yo kubahiriza umutekano, amagara y'abenegihugu canke uburenganzira bwa zina kiremwa muntu.

Ingingo ya 18 ivuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kwidegemvya mu vyiyumviro vyiwe, mu mutima wiwe no mu kwemera kwiwe.

Ubwo burenganzira bumuha kwidegemvya no kwitorera idini ryiwe, we nyene ubwiwe canke ari kumwe n'abandi, mu gusenga canke mu gukurikiza imigenzo y'iryo dini.

Nta muntu n'umwe ashobora kubuzwa ubwigenge mu bijanye n'ugushikiriza ivyiyumviro vyiwe canke gukurikira idini ashaka.

Agace ka gatatu k'iyi ngingo kavuga ko ata muntu ashobora kubuzwa kugaragaza idini ryiwe canke ivyiyumviro vyiwe hatisunzwe amategeko, kandi bigaragara ko bikozwe mu ntumbero yo kubahiriza umutekano, amagara y'abenegihugu canke uburenganzira bwa zina kiremwa muntu.

Iyi ngingo itegekanya mu gace kayo ka kane ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza kwubahiriza umwidegemvyo w'abavyeyi n'abandi bemewe n'amategeko mu vyerekeye gutanga indero y'abana mu vy'amadini canke mu vy'u-buntu hakurikijwe ivyiyumviro vyabo.

*c) Mu masezerano mpuzamakungu yubahihiriza agateka k'abana.*

Umwana arafise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka ariko iyo ataramenya uko yohitamwo aho asengera abavyeyi canke uwundi abifitiye ububasha ni bo babimufashamwo.

Tubisanga mu ngingo ya 14 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegekanya ko umwana afise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe n'ukuja mw'idini ashaka.

Ivyo bihugu birubahiriza uburenganzira bw'abavyeyi canke abarezi b'abana bwo kubereka uko basenga bivanye n'uko umwana angana. Ubwigenge mu vyerekeye idini canke kugaragaza ivyo umuntu yemera ntibishobora kubuzwa kiretse mu gihe bikenewe kugira ngo hakingirwe umutekano mu gihugu, amagara n'imico myiza vy'abantu canke kugira ngo hakingirwe ukwishira n'ukwizana hamwe n'amateka ngenderwako y'abandi.

*d) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye abantu batagira ubwenegihugu*

Uburenganzira bw'umuntu bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashatse buguma bwubahirijwe no ku muntu atagira igihugu yitirirwa nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 4 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza kworohereza abantu batagira ubwenegihugu baba mu bihugu vyabo ku vyerekeye cane cane kuja mw'idini bashatse nk'uko basanzwe borohereza abenegihugu babo, kandi bakoroherezwa no kurera abana babo bakwirikije idini ryabo.

*e) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana.*

Abavyeyi canke umurezi ni bo bafise uruhara ntangere mu gufasha umwana muto mu bijanye n'ugusenga. Tubisanga mu ngingo y'9 ivuga, mu gace ka mbere n'aka kabiri, ko umwana ahabwa intumbero n'abavyeyi canke umurezi wiwe mu vyerekeye ugusenga bivanye n'imyaka y'umwana kandi

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'umuntu bwo gushikiriza ivyiyumviro no kuja mw'idini ashaka

*(Bitangurira ku rup.10)*

naho nyene ineza y'umwana itegerezwa gushirwa imbere muri vyose.

*f) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Ingingo y'8 y'ayo masezerano itegekanya ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira umwidegemvyo mu vyiyumviro, mu gutora umwuga ashatse n'ugukurikiza idini ashatse. Nta n'umwe ashobora kubuzwa kugaragaza uyo mwidegemvyo mu gihe bidahungabanya umutekano w'igihugu.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bw'umuntu bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka, n'amategeko y'i-gihugu c'Uburundi ni kwa kundi.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, ibiri mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°30 ryo ku wa 16 nyakanga 2022 ryerekeye amashengero mu Burundi.

*a) Mw'ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ; amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Nta muntu ashobora kubuzwa gushikiriza ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 22 mu gace kayo ka 2 ivuga iti " Nta muntu n'umwe ashobora gukumirwa kubera, amamuko yiwe, ibara ry'urukoba rwiwe, igitsina ciwe, ururimi avuga, uko abayeho mu gihugu, idini ryiwe, ivyiyumviro nyamukuru vyiwe ku vyerekeye ubuzima, intwaro y'igihugu, ko agendana ubumuga canke ko agendana umugera wa SIDA canke iyindi ndwara iyo ariyo yose idakira."

Reta irubahiriza ubwigenge bw'umuntu bwo kuja mw'idini ashaka. Bitegekanijwe n'ingingo ya 31 ivuga ko "Umuntu wese afise uburenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro vyiwe. Reta irubahiriza ubwigenge bw'umuntu bwo kuja mw'idini ashaka, bw'ukwiyumvira no gukurikiza umutimanama wiwe."

Naho umuntu afise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini yitoreye, iyo umwana akiri muto, abavyeyi canke abahagarariye umwana ni bo bafise ububasha ku bijanye n'ibanga ryo kurera. Ni yo mpamvu abavyeyi bategerezwa guha abana intumbero n'impanuro zibereye kandi zijanye n'ibigero bagezemwo.

*b) Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi*

Abavyeyi basanganywe uburenganzira kama bwo kurera neza abana babo kandi barabitegerezwa.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 284 iraha ububasha bw'umuvyeyi ku mwana wiwe bujanye n'ivyo vyose se na nyina bashobora kumugirira ku neza yiwe ku bimuraba we nyene n'amatungo yiwe.

Ubwo bubasha buhagarara igihe umwana ashikanye imyaka yo kwishira n'ukwizana canke akujijwe n'amategeko.

*c) Mw'ibwirizwa n°30 ryo ku wa 16 nyakanga 2022 ryerekeye amashengero mu Burundi*

Ingingo ya 27 y'iryo bwirizwa ivuga, mu gace ka kabiri, ko umuntu wese afise uburenganzira bwo guhitamwo aho asengera ashaka kandi ata gahato.

Haba mu mategeko mpuzamakungu canke mu mategeko y'igihugu, nta tegeko ryerekana neza imyaka umwana ashobora kuba afise kugira yitorere idini ashatse.

Abavyeyi ni bo bafise uruhara ruhambaye mu vyerekeye indero y'abana babo no mu vyerekeye guhitamwo idini umwana asengamwo. Abavyeyi ni bo barimutorera gushika igihe umwana ashikane imyaka yo kwishira n'ukwizana.

Nk'uko twabonye ko amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'igihugu ategekanya ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka, uwutabwubahirije arahanwa nk'uko igitabu c'amategeko mpanavyaha kibitegekanya.

Tubisanga mu ngingo ya 426 ivuga ko uwo wese yagiriwe no kuburabuza umuntu mu vyerekeye idini, kumubuza gusenga ku mugaragaro canke akabangamira ivyiyumviro vyiwe akoresheje inguvu, ibitutsi canke kumutera ubwoba ahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu gushika ku myaka ibiri n'ihadabu ry'amafaranga ibihumbi mirongo itanu canke agahanishwa igihano kimwe muri ivyo.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashatse. Nta muntu abuzwa ubu burenganzira kiretse iyo ari mu ntumbero yo kubahiriza umutekano, amagara y'abenegihugu canke uburenganzira bwa zina kiremwa muntu.

Umwana na we nyene arafise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro vyiwe no kuja mw'idini ashaka ariko iyo ataramenya uko yohitamwo aho asengera abavyeyi canke uwundi abifitiye ububasha ni bo babimufashamwo.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ubuzima bw'inyambukira n'abageze mu zabukuru ni umwitwarariko wa Nyenubweranda

Ku wa 22 na 23 Nyakanga 2023, Nyenubweranda Papa Fransisiko yari mu rugendo rw'ubutumwa rugira urwa 44 , mu gisagara kigira kabiri mu gihugu c'Ubufaransa citwa Marseille.

Muri urwo rugendo yari ajanwe n'ijambo ryerekeye inyambukira hamwe n'ugukurikirana neza abageze mu zabukuru kugira ntibabahohoshe kubera ubusaza. Yashitse ku kibuga c'indege c'i Marseille ku wa 22 igihe c'isaha y'icumi n'iminota itatu.

Yakiriwe mu c'ubahiro kimukwiye n'umushikiranganji wa mbere Nyenicubahiro Elisabeth Borne, baraganira akanya gato mu kibanza c'iteka kiri kuri ico kibuga c'indege.

Igihe c'isaha cumi n'imwe n'iminota cumi n'itanu, mw'isengero nkuru yitiriwe Bikira Mariya murinzi, yasangiye igisabisho igisabisho aciye kuri Bikira Mariya arikumwen'abasaseredoti Karadinale asanzwe aba ngaho, hamwe na patiri ajejwe kwakira abantu bahasengera.

Igihe c'isaha cumi na zibiri n'iminota 45, Papa yagiye gusengera mu gacerere imbere y'icibutso c'inyambukira zapfiriye muri Mediterane, ikiyaga gipfiramwo inyambukira nyinshi, aho Papa avuga ko ari itongo rinini kw'isi. Yaciye ahashira ishurwe ari kumwe n'inyambukira zibiri.

Inyuma yahoo yaciye aja kw'isengero rikuru ry'i Marseille ari naho yamaze igihe cose caheze ari mu ma pfungo.

Bukeye bwaho kuwa 23 Nyakanga, ubutumwa yabutanguriye ku kiganiro yagiriraniye n'abantu bakenye, cabereye mu babikira bitiriwe umweranda Thereza. Inyuma yaho yahaye umubonano abantu bashika ku 900, harimwo Abepisikopi 70 n'urwaruka rushika ku mirongo 70 nyene. Muri abo, harimwo Emmanuel Macro, umukenyezi wa Prezida hamwe n'umukuru w'igisagara ca Marseille.

Yahavuye aca aja kubonana mu mwiherero na Emmanuel Macro.

Inyuma ya sasita, Papa yarangije urwo rugendo ku kunka yamisi yahereje ku kibuga c'ahitwa Vélodrome ahari hakoraniye abantu bashika ku 57000.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yaripfuje abari aho, agahimbare bokwamana imbere y'ubuzima n'imbere yabo bahura nka kumwe Yohani Batista yahimbarwa mu nda ya Elisabeti abonye Bikira Mariya.

Ati:« Turakeneye gusubira kugira agahimbare n'akanyamuneza n'ugusubira kubura akanovera ko kwiyemeza kubana mu muvukano. Kugerageza gusubira kuzana akanyamuneza mu ngo n'imiryango ku bantu cane cane bamagara make; gusubira kubura inema ihindura kandi ikagira neza ubuzima



muri ino si yubu, aho ivy'isi biyobeza ubwenge, ukwitwararika ivy'Imana bikaba umuziro.

Kubera ivyo, nugukurikiza akarorero k'umwana wa Elizabeti igihe Bikira Mariya yaja kumuramutsa. Bikira Mariya niwe hema ry'isezerano ryatumye jambo w'Imana ashika kw'isi. Ni ikimenyetso co kuramutswa n'uwo mw'Ijuru we yatsinze ubugumba, agashira umwizero aho bibaza ko bigishoboka.

Uwemera aragira akanyamuneza imbere y'umugenzi. Imana irasana kandi kenshi iraramutsa iciye ku guhura n'abandi mu gihe umutima wa muntu ubura igishika imbere y'ibikomere vy'abantu ba magara make. Ni ukwigira kuri Yezu Kristu kugira imishaha y'abantu igire agahimbare ku bantu babana.

Nka Yezu Kristu yamana impuwe n'ikigongwe imbere yabo bahura bose bafise imitima yakomeretse.
Duhamagariwe kuba abakristu bahura n'Imana mu gisabisho no mu bavukanyi twerekana urukundo.

Aba kristu bakira umuriro wa Mutima mweranda bakareka ukabaturira kubera ibibazo biri ubu muri kino gihe biterwa n'ingorane.»

Nyenubweranda Papa Fransisiko yarakengurukiye igihugu c'Imana c'i Marseille eka n'abafaransa bose muri rusangi abatumirira gusabira abantu bose bahitanwe n'igitero cabaye ku wa 14 Mukakaro 2016.

Ntiyibagiye igihugu c'Imana co muri Ukraine, atibagiye abageze mu zabukuru bo citegererezo civyakahise. Aca arabahezagira yongera abasab kumusabira.

Tubamanyeshe ko isengero nkuru ya Marseille ariyo yabaye iya mbere kw'isi yishikanye ku Mushaha Mweranda wa Yezu Kristu 1720 mu gihe hari hatewe n'ikiza c'akaranda.

*MSV Ndikumana Marie Goreth*